IJAMBO RISHIKIRIJWE N'AMASHIRAHAMWE Y'IGENGA YISHINZE KUGWANYA IBITURIRE (SOCIETE CIVILE) KURI UYU MUNSI URANGIZA INDWI YAHARIWE KUGWANYA IBITURIRE MU BURUNDI.

NYENICUBAHIRO cegera cakabiri cu MUKURU W'IGIHUGU

Banyakubahwa Bashingamateka

Banyakubahwa Bakenguzamateka ;

Banyakubahwa Bashikiranganji;

Banyakubahwa muserukira ibihugu vyanyu;

Nyakubahwa userukira BINUB ;

Banyakubahwa muserukira amashirahamwe mpuzamakungu akorera mu Burundi;

Banyakubahwa mwaserukiye amashirahamwe yishinze kugwanya ibiturire ;

Bashingantahe ;

Bapfasoni;

Rwaruka .

Banyarumonge,

TUGIRE AMAHORO, TUGIRE AMAHORO, DUSAGWE AMAHORO, UBUMWE, UMUTEKANO N'ITERAMBERE BIZIRA IBITURIRE.

Nyen'icubahiro cegera cakabiri cu Mukuru w'Igihugu, nkuko mubizi igenekerezo rya 9 kigarama ni umunsi Mpuzamakungu wahariwe kugwanya ibiturire kw'isi, Uburundi bukaba bwashimye kuwuhimbaza kuri iyi tariki ya 19 Kigarama 2009 ngaha mu ntara ya Bururi aha mu rumonge .

Uyo munsi mpuzamakungu wahariwe kugwanya ibiturire kw'isi, waje inyuma yiyemezwa kw'igenekerezo rya 31 Gitugutu 2003 y'amasezerano mpuzamakungu yo kurwanya ibiturire.

Amashirahamwe y'igenga yishinze kugwanya ibiturire, akaba ashimiye inama mpuzamakungu ONU yoyo yabonye ko igiturire ari inkwezi

y'amabi menshi kuko aharangwa igiturire atateramberе rihabazwa, ubutunzi buca bwizizigwa nakagwi kabantu bakeyi, guhiganwa ku mugaragaro muvya politike bica biba umugani, imibereho y'abanyagihugu muvyerekeye kwivuza no mu kw'igisha abana ntibisubira kuvugwa, eka n'imico iratosekara kuko ababitohoje babonye ko umuntu w'umurya biturire canke abitanga ameze n'ikiraya (pomme de terre) kiboze kuko iyo ugishize mubindi bukeye usanga vyaboze.

Muri ikiringo twimirije amatora , turaziko abanyepolitike bamwe bamwe bakoresha ibiturire mu kugura akami kabazotora aho kubashira imigambi izotuma bava mu bukene barimwo, eka ntitwokwibagira gukoresha uburyo bwa Leta mukwiyamamaza MUMATORA (imiduga , ibitoro, amafaranga y'induhuro tutashize inyuma kwakira uburyo bwamafaranga canke bw'ibintu (l' argent et biens sales) vy'abagwizatunga biyunvira kuzoronka amakontara anyuranye n'amategeko kuburyo bituma LETA ihahombera amamiriyare na yandi tutavuze ko ivyo abobagwizatunga batanga biza bimeze nabi.

Nyen'icubahiro cegera cakabiri cu Mukuru w'igihugu, amashirahamwe yigenga yishinze kugwanya igiturire n'isahurwa ry'amatungo yigihugu, arashima intambwe Leta y'uburundi imaze gutera mu vyerekeye kugwanya ibiturire kubera ko yamaze kwemeza amasezerano yo kugwanya ibiturire kw'isi (ratification) mbere ikaba yarashizeho n'amategeko atari make mu ntumbero yo kugwanya igiturire n'isahugwa yamatungo y'Igihugu.

Amashirahamwe y'igenga yishinze kugwanya ibiturire, arashima kandi ingene akorana na Leta y'uburundi muri rusangi cane cane ubushikiranganji bwegamiye ibiro vy'umukuru w'igihugu bujejwe intwaro ibereye kuko ataco budakora kugirango ako karanda kazingamitse igihugu n'abakibamwo karanduranwe n'imizi mu burundi.

Ariko rero, naho tubona ko Leta y'uburundi umengo irafise ishaka ryo kugwanya igiturire ; turavye ingene ibiturire biribwa mu buzi bwa Leta, tukaraba ingene amatungo y'igihugu asahugwa, biragaragara ko igiturire no gusahura amatungo y'igihugu aho kugabanuka biguma vyongerekana mubisata nka vyose vy'igihugu, mbere naho mu misi iheze bitavugwa nko kwa muganga ubu harashikiriwe.

Ari naco gituma Nyen'icubahiro Cegera Cakabiri cu mukuru w'igihugu ,amashirahamwe y'igenga yishinze kugwanya ibiturire, afatiye kw'ijambo Nyen'icubahiro umukuru w'igihugu yashikirije abarundi igihe yimikwa kw'igenekerezo rya 26 z'ukwezi ku munani 2005, tugafatira kw'ijambo yashikirije igenekerezo rya 31 kigarama 2007 cane cane kugihande cerekeye ama dosiye yategerezwa kuba yakozwe muri uyu mwaka turimwo amwe amwe naya dossier ;INDEGE ZAGUZWE NTIGURUKE,IGISHIJWE UBUSA ,INTERPETROL,RUZIZI,KUGUZA IKAWA IBITORO, NI BINDI. ijambo ryashikirijwe n'icegera ca mbere c'umukuru w'igihugu itariki 9 kigarama 2007 ku musi mpuzamakungu wo kugwanya ibiturire, hariya kukibuga c'ubushikirangaji bw'inkino n' imico kama ,eka no mw' ijambo Nyen'icubahiro Umukuru w'igihugu yashikirije igenekerezo rya 14 kigarama 2008 hariya mukayanza turabona ko Leta yari yateye akamo ubuzi bw'ubuhinga (services techniques) ko bwokora ibishoboka vyose kugirango ivyo biturire no kwiba amatungo y'igihugu bituzwe. Ariko amatwi adusumira n'amaso atwereka hakozwe bike. Kuko ubu tugeze kuma miliyaridi ashika hafi 300 yibere mumifuko yabantu bazwi. Hejuru yayo mamiriyare hiyongerako ibi bikurikira ; inge imodoka za leta zigurwa, zikorehwa, ziguhwa,ingene ibitoro, binyobwa,…, ingene amasoko ya leta atarwa, gushira muminwe yabikorera utwabo amashirahamwe ya Leta,ingene itegeko rigega budget ya leta ritorwa kandi rishirwa ningene rishirwa mungiro, ingene ibidadazwa vyinjirira muburundi ,nibindi.haga hiyongerako amategeko mabi aho ni igihe aba ariho kumenshi muriyo yimereye nkigikanganyoni bashira mumurima kugira ngo kirinde amasaka ariko inyoni zimaze kugihinyara mukuyona zigihagararako.

Ntitworangiza iribajanbo tutavuze itotezwa ryari mumashiramwe adaharanira inyungu zapolitike n'abayarimwo , kugeza naho twicwa ,ntitwokwibagira iyicwa bunyamaswa ry'uwahora ari icegera c'uwurongoye ishirahamwe OLUCOME, UMUHISI Ernest MANIRUNVA. haheze amezi arenga umunani leta itara twereka abatwiciye , aho umengo turi muri rya shamba aho igikoko gisuvya iguvu ikindi arico kikirya .uwibwe akaba ariwe yiruka.

1. Yosubiramwo mu maguru masha rirya tegeko ryo guhana abagirizwa kurya ibiturire no kubitanga kuko rifise utunenge twinshi.

Kubera izovo zose dusubiye gusaba Leta ko ;

2. Yoshira mu minwe yabikorera utwabo amashirahamwe ya Leta cane cane hakurikijwe amategeko.

3. Inzego zose zo kugwanya ibiturire ko zohura n'imiburiburi rimwe mu mezi atatu kugirango zirabe aho zigejeje igikogwa co kugwanya igiturire n'isahugwa ry'amatungo y'igihugu.

4. Itegeko rigenga amafaranga Leta ikoresha ku mwaka ku mwaka ryotegugwa hisunzwe ingene abarundi babayeho, bagaha igisata c'uburimyi n'ubworozi uburyo bukwiye. kandi rikirwa kare n'inama nshigamateka.

5. Abantu bamwe bamwe bari mu nzego zitwara batoteza abo mu mashirahamwe y'igenga agwanya ibiturire ko bobihagarika kuko twebwe tutari mubagwanya Leta nkuko bamwe bamwe babivuga, ahubwo tuyun ganira mu migambi yiyemeje kurangura.

6. Nkuko amasezerano mpuzamakungu yo kugwanya ibiturire, abitegekanya ko inkuru zose zijanye n'ikoreshwa ny'amatungo yigihugu katobandanya kaba akanywababo kabantu bari mu buzi bwa Leta gusa (accès à l'information).

7. Hoja amategeko ahana abantu bafashe ingingo (décisions illegales) zituma Leta iriha ivyo itorishe.

8. Hoja itegeko riringaniza (la haute cour de justice) nkuko bitegekanijwe mw'ibwirizwa nshingiro.

9. Amatagisi atozwa n'amakomine n'igisagara ca Bujumbura yotozwa hisunzwe itegeko ryo 1997 kuko atarindi rirarisubirira.

10. Igugwa n'ikoreshwa ry'imiduga ya Leta nikorehwa ryibitoro vyoyosubigwamwo kuko tubona ko habamwo ubusuma bwinshi. Cane cane ubu twimirije amatora

11. Imodoka z'aba BURAMATARI zoreka kumanuka I Bujumura kumywa ibitoro kuko bihombesha leta kumwaka amamiliyoni arenga 200 buri mwaka

Ntitworangiza iri jambo tudashimiye Leta y'Uburundi yateguye uru rubanza ibicishije ku bushikiranganji bushinzwe intwaro ibereye, kikaba ari ikimenyetso cerekana ko hamwe twese twoshira inguvu ibiturire vyogabanuka .

Niharambe uburundi buzira igiturire

Imana ibuhangaze. Murakoze.